LBDH/021/2026 Kampala, 21 Myandagaro2026

**Kuri Nyenicubahiro Yoweri Kaguta Museveni**
**umukuru w'igihugu c'Uganda**
**Kampala – Repuburika y'Ubuganda**

**Imvo :** Akamo ko gukingira impunzi z'abarundi hamwe n'abasaba ubuhungiro mu Buganda .

**Nyenicubahiro umukuru w'igihugu,**

Umuhari uharanira agateka ka zina muntu mu Burundi « Iteka » uri n'iteka ryo kubitura n'icubahiro cinshi,ariko kandi n'ukuremerwa bivuye ku bintu biteye agahinda uhejejwe kumenyeshwa.

Ishirahamwe ryacu rihejeje kumenyeshwa ko hariho ingingo ishobora gutuma impunzi z'abarundi hamwe n'abarondera ubuhungiro ubu bari ku butaka bw'uburundi bashobora kwirukanwa.

Ata gukekeranya hari ingingo z'intwaro canke ubutungane boba bafatiwe,umuhari Iteka wipfuje,muri runo rwandiko,gusaba n'icubahiro ariko ushimitse mugire ico mukoze Nyenicubahiro kugira ntihagire impunzi n'imwe canke uwusaba ubuhungiro w'umurundi asubizwa mu Burundi atavyishakiye,mugihe ata suzuma kuri umwe umwe,ryemewe kandi ryisunze amategeko mpuzamakungu yo gukingira impunzirizoba ryakozwe.

Intumbero yacu ntigamije haba kwivanga mu vy'Ubuganda,canke kugwanya uburenganzira ntayegayezwa bwo gutunganya ukwinjira hamwe n'ukuba ku butaka bwa Uganda kw'abanyamahanga. **Umuhari ufise umwitwarariko wa kiremwa muntu** : nta muntu n'umwe asaba ugukingirwa n'amakungu yokwirukanwa ngo aje ahantu ubuzima bwiwe,umwidegemvyo canke umutekano wiwe bishobora kubangamirwa,imbere y'uko uko amerewe vyihwezwa ataguhengama.

**I.Ubuganda : ubutaka bwakira impunzi bufise umutima mwiza uhimbara Afirika**

**Nyenicubahiro mukuru w'igihugu,**

Ubuganda bufise ikibanza kidasanzwe muri kahise mu kwakira impunzi muri Afirika no kw'isi yose. Kuva kera,igihugu canyu carakiriye abantu bahunze kubera indyane hamwe n'uguhamwa vyasinzikaje ibihugu vyinshi vyo mu karere.Uno musi kandi,Ubuganda buracari kimwe mu bihugu ahanini vyakira impunzi kw'isi.Ibiharuro vya komisariya nkuru y'ibihugu vyunze ubumwe yitaho impunzi bimenyesha ko impunzi zirenga imiriyoni zibiri hamwe n'abasaba ubuhungiro bari ku butaka bw'Ubuganda mu mpera za Ruheshi 2026.

Iyo poritike y'ukugurura si ukuri kw'ibiharuro gusa.Igize akaranga nyabantu kafashije Ubuganda kumenyekana bidasanzwe mu karere k'ibiyaga binini hamwe no kw'isi yose.

Mubarose ubuhungiro mu Buganda harimwo nk'abarundi,anayakongo,abo muri sudani y'epfo,abo muri sudani ,aba Erythriya,aba Somaliya hamwe n'abavuka mu bindi bihugu birimu ntambara,biriko bihamwa canke bihungabanye.

Ku benshi muri abo bantu,Ubuganda ni ikibanza ca nyuma bashobora kwizera kubaho mu mutekano kandi.Uko kuri gufashe intumbero idasanzwe ku barundi bamwe bamwe baguma bisubiriza kugaranwa.

Impunzi canke abasaba ubuhungiro birukanywe muri Tanzaniya,abandi bahuye n'amakuba muri Philippines,muri Suisse canke ahandi,ubu bari mu bihe Ubuganda aribwo bwonyene bushobora kubakingira mu karere.

Muri ico gihe,turemera tudakekeranya ko Ubuganda butoshaka ko akaranga kabwo ka kera ko kwakira abantu ko kwifadikanya n'ingingo ishobora gushikana abantu babangamiwe mu kaga.

**II. Akarere k'ibiyaga binini gasubiye kuja mu ruhagarara**

**Ibiba ku mpunzi z'abarundi ntivyitandukanya n'ibihe vya poritike y'akarere**

Akarere k'ibiyaga binini kaguma kabangamirwa n'urukwirikirane rw'ivyago bifatanganye.Ubuseruko bwa Kongo bubandanya kubura umutekano,aho abantu baguma bahunga ku bwinshi. Muri Ruhuhuma 2026, HCR yavuga ko abantu barenga ibihumbi cumi bari bahunze ingwano zo mu buseruko bwa Kongo baja mu Burundi,bituma haba ngorane zikomeye z'ubushobozi bwo kubakira mu gihugu.Muri uwo mwanya nyene,imigenderanire hagati y'Uburundi n'Urwanda iguma irangwa n'uruhagarara rubangamira ugutembera hamwe n'urudandazwa ku mipaka.

Mu burundi hagati mu gihugu,igihugu gitera kigana amatora mashasha,aho bazotora umukuru w ;igihugu muri 2027 uriko uregereza.

Mu bihe ibibazo vya poritike,umutekano hamwe n'inzego bicibonekeza,ingingo yose ishobora gukwega ihungabana rishasha ry'abanyagihugu bisaba kuyihweza n'impungenge zidasanzwe.

**Ihunguka ry'impunzi ntiryofatwa nk'ikibazo gisanzwe c'intwaro.**

Habwirizwa gushirwaho hisunzwe uko igihugu kimeze,uko impunzi yose ifatwa,kuyirosa umutekano hamwe n'ugukingirwa kw'itotezwa,ihagarikwa riciye kubiri n'amategeko,ukunyuruzwa hamwe n'ayandi mabi abangamiye agateka ka zina muntu.

**III. Intambara y'agateka ka zina muntu naho hahindutse inzego itigeze ihera burundu**

**Nyenicubahiro umukuru w'igihugu,**

**Umuhari Iteka urabona bikenewe kwibutsa ko amagume y'Uburundi itatanguranye n'intwaro ihari ubu.**

Yatanguranye n'indyane za poritike zadutse muri 2015 avuye ku kiringo cagatatu c'umukuru w'igihugu Pierre Nkurunziza, amagume yasinzikaje igihugu kandi agahungisha abarundi ibihumbi amajana.

Umuhari Iteka waratohoje, muri kino kiringo ,ubwicanyi ndengerabutungane,ubwicanyi butora, ukuburwa irengero,ukuboreza igufa,amabi afatiye ku gitsina,uguhagarikwa hamwe n'ugupfungwa biciye kubiri n'amategeko.Waranatohoje ingarukambikubantuz'ayo magume hamwe n'uguhunga ku bwinshi ku banyagihugu.

Ariko rero,impinduka y'ubutegetsi yabaye mu 2020 isa n'iyunyuye amabi yose yavuzwe.

**Ivyegeranyo vy'urukwirikirane rw'ibihugu, ibikorwa vya ONU hamwe n'ivy'umuhari Iteka birerekana ibandanya ry'ihohoterwa rikabije ry'agateka ka zina muntu ku nywaro ya perezida Évariste Ndayishimiye.**

Muri Rusama 2020 na Ruheshi 2025, imyaka 5 y'intwaro ya perezida Ndayishimiye, mu cegeranyo cayo kiramvuye[1], umuhari Iteka waratohoje abantu bishwe 2 776 , harimwo iiziga 1 514 vyatowe, 231 banyurujwe canke babuzwe irengero, 313 baborejwe igufa hamwe na 665bahohotewe bifatiye ku gitsina muribo 80% bashurashujwe.

Ku mwaka wiwe ugira 6 kandi umwaka umwe inyuma y'amatoray y'abashingamateka n'abahanuzwa jambo ba komine, yo muri Ruheshi 2025,icegeranyo c'umuhari Iteka cerekana ko ubwicanyi bubandanya[2]: abantu 407 bishwe,

[1] https://ligue-iteka.bi/wp-content/uploads/2025/08/RAPPORT-BILAN-5-ANS-DE-GOUVERNANCE-DU-PRESIDENT-EVARISTE-NDAYISHIMIYE.pdf
[2] https://ligue-iteka.bi/wp-content/uploads/2026/07/RAPPORT-BILAN-JUIN-2025-MAI-2026.pdf

muribo 269 batowe ibiziga, 57 banyurujwe canke babuzwe irengero, abantu176 bakorewe amabi afatiye ku gitsina harimwo 119 bashurashujwe, abantu 44 baborejwe igufa hamwe na 102 bahagaritswe biciye kubiri n'amategeko.

Kandi amakuru ariho mu mpera z'igice ca mbere c'umwaka wa 2026 yerekana ko ibintu biguma biteye amakenga kandi bitera vyunyuka uko hegereza amatora y'umukuru w'igihugu yo muri Rusama 2027.Icegeranyo c'amezi abiri c'umuhari Iteka c'amezi ya Rusama na Ruheshi 2026 waharuye abantu 42 bishwe, harimwo 25 batowe ibiziga,abantu 9 banyurujwe canke banyurujwe ,abantu 21 bakorewe amabi afatiye ku gitsina muribo 13 bashurashujwe, abantu 6 baborejwe igufa hamwe na 6 bahagaritswe biciye kubiri n'amategeko.

Ivyo bihe biteye agahinda vy'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu mu Burundi vyasubiriye mu mvyegeranyo vy'ibihugu ahanini bifasha Uburundi nka Reta zunze ubumwe za Amerika,Ububirigi hamwe no mu vyegeranyo vy'ibikorwa vya ONU.

Mugihe uzi ko ivyegeranyo atari vyose,ufatiye no ku bushobozi bwawo ku rubuga,umuhari Iteka Iteka werekana ivyo biharuro nk'vyavuye mu gikorwa cawo co gutohoza kandi ntiwizeye ko icaha cose cakurikiranywe n'ubutungane gushika haboneke uruhara rw'abikekwako akabi.Ariko rero,ukugumya amakuru ku myaka myinshi vyerekana ikimenyetso gikomeye gitegerezwa gufatirwa ko mu gihe cose bashaka ko abantu basavye gukingirwa botahuka.

**IV. Ugutahuka bibwirizwa kuba kubugombe ,umuntu umwe umwe kandi bigakurikirwa n'ugukingirwa biboneka**

**Nyenicubahiro umukuru w'igihugu,**

**Umuhari Iteka nturwanije itahuka ry'impunzi z'abarundi bipfuza gutaha kubushake mu gihugu cabo.**

Ahubwo,dufata ko ugutahuka ku bushake,bibereye,vyizewe kandi birama ari imwe mu nyishu zirama zipfuzwa cane mugihe ibituma bahunguka vyose bikwiye.

HCR yonyene ibandanya ishigikira ibikorwa vyo guhunguka ku barundi babishatse,bakanashikiriza ingorane bamwe mu bahunguts bahura nazo ku bijanye n'uburaro,amagara,indero hamwe n'uburyo bwo kwibeshaho.

**Ariko uguhunguka ku bushake no gutahuka ku gahato ni ibintu bibiri bitandukanye cane.**

Uguhunguka ubishaka ni ingingo umuntu afata kubwiwe abona ko ashobora gutaha mu mutekano. Uguhunguka ku gahato biba uwo biraba atabishaka kandi,birashoboka mu bihe bimwe bimwe ,kuba ukwirukanwa.Ni neza na neza ubwo budasa dusaba ko bwokingwa.

Kubona impunzi ari umurundi ntibisigura ko abwirizwa guca atahuka.Co kimwe,ukubona ko impunzi haciye imyaka myinshi avuye mu Burundi ntibisigura ko ivyatumye ahunga bitakihari.

Ku rundi ruhande,ivyegeranyo bitandukanye vyamashirahamwe yigenga vyerekana ubwicanyi,ukunyuruzwa hamwe n'ukuburwa irengero kw'abahungutse naho ubushobozi bwo kubitohoza buguma ari buke.Ico cegeranyo 7 c'ishirahamwe FOCODE kiravyerekana.

**V. Ubuganda butegerezwa kugumya uruhara rwarwo rwo muri kahise mukurondera inyishu y'amagume y'Uburundi**

**Nyenicubahiro umukuru w'igihugu,**

Aha niho amabanga yanyu hamwe no muri kahise rugira akamaro. Uruhara rwanyu mu mugambi w'amahoro mu Burundi si agace ko muri kahise y'akarere konyene.

Amasezerano ya Arusha yagize igihugu canyu hamwe na mwebwe umuntu akomeye cane mu mugambi w'amahoro.Amasezerano aribuka uruhara rw'umukuru w'igihugu c'Ubuganda nk'umworosha w'umugambi w'amahoro mu karere ku Burundi kandi arategekanya umukono wiwe kuri ubwo buhinga.

Muri 2015, mugihe uBurundi bwaciye mu kaga gakomeye ka poritike, ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe ryari ryashi utwigoro twanyu mu kworosha ibiganiro bihuza abarunsi kw'izina ry'ishirahamwe rya Afirika yo mu buseruko.

Inama nkuru y'umutekano y'ibihugu vyunze ubumwe nayo nyene yari yemeje ko izoshigikira utwigoro two guhuza muzogira iranerekana akamaro k'ibiganiro bidakumira bihuza abarundi.

Umwitwarariko wanyu muri kahise ntiwogarukira mugihe ibiganiro vyari ku meza.Wokwigaragaza n'uno musi,aho abarundi bahunze igihugu cabo bahakwa gutahukanwa batabishaka.

Kuri ico hiyongerako umwitwarariko wanyu w'ubu nka « Chairperson » (Uwurongoye ishirahamwe rya Afirika y'ubuseruko muri iki gihe).

**Gukingira impunzi y'Uburundi uyu musi,ni ugukingira umutima wa Arusha**

Umutima wa Arusha si urukwirikirane rw'amategeko.Ushingiye ku biganiro,ukurekuriranira,ukubana,ugukingira abanyagihugu hamwe n'ukurondera amahoro arama.

**VI.Ukwirukana impunzi z'abarundi kwoba ari ukwimura amagume aho kuyatorera inyishu**

**Ukubirukana baja mu Burundi ntiyoba inyishu ku magume y'Uburundi.**

Vyohakwa kwimura ingorane vyonyene. Abantu birukanywe bashobora kwisanga bari mu marushwa akabije,mugihe abafise impungenge ku mutekano wabo boshobora kurondera gushasha ubuhungiro ahandi.

**Inzira nk'iyo yoba itandukanye n'intumbero y'akarere yo kurondera inyishu zirama.**

La région des Akarere k'ibiyaga binini karamaze gutanga indishi iboneka y'abantu ku guturatuzwa kurutavanako kw'abanyagihugu.Vyoba bibabaje ingingo nshasha y'ubutegetsi iterereye mu umurindi mushasha w'uguhunga. Ubuganda ahubwo burafise ubushobozi bwo kwerekana ko poritike yo gukingira ishobora kunywana n'ukurondera inyishu zirama.

**VII.Tubasaba gukingira abarundi bari mu Buganda**

Twihweje ivyo biri hejuru, umuhari Iteka usaba mu cubahiro mwebwe Nyicubahiro:

Ubwa mbere,guhagarika ingingo yose yirukana canke itoteza impunzi canke abarundi basaba ubuhungiro ,cane cane abasaba gukingirwa batarumvirizwa umwe umwe.

Ubwa kabiri,kuraba ko atawusaba ubuhungiro w'umurundi n'umwe yorungikwa mu Burundi imbere yo gushikira intamwe y'akaranga ngo yongere atakambire abo yitura bose.

Ubwa gatatu,kubandanya bakingira impunzi z'abarundi bari ku gataka k'Ubuganda agatotezo,hisunzwe amasezerano mpuzamakungu n'ayo akarere yo mu Buganda .

Ubwa kane,kureka abarundi birukanywe canke bategetswe kuva mu bindi bihugu nk'abavuye muri Tanzaniya,Philippines,Suisse canke ibindi bihugu,bashobore gusaba kandi hihwezwe ataguhengama igisabo cabo co gukingirwa mu Buganda,ivyo baciyemwo ntibibabere intambamyi.

Ubwa gatanu,gukomeza imigenderanire na HCR,amashirahamwe y'akarere hamwe n'amakungu kugira bihweze,inyishu zirama ku mpunzi zidashobora vy'ukuri gutaha mu Burundi, :kubaha ubwenegihugu,kubashira mu kindi gihugu canke ubundi bufasha mu buryo bubereye.

Ubwa gatandatu, gushigikira mu imibano n'ubutunzi impunzi z'abarundi zipfuza kuguma mu Buganda bubahiriza amategeko y'Ubuganda,kugira bashobore kuzoshikira ubwigenge bongere baterere mu kibano cabakiriye.

Ubw'indwi,gukoresha ububasha bwanyu mu karere kugira hasubire kuba ibiganiro bihurikiyemwo bose vy'abarundi,vyubahiriza amasezerano ya Arusha.

**VIII. Akamo ku cubahiro canyu ku cizere akarere kabafitiye**

**Nyakwubahwa Mukuru w'igihugu,**

Turaziko Ubuganda nabwonyene bufise ibikorwa vyinshi biburaba. Kwakira impunzi zirenga imiriyoni zibiri ni umuzigo munini kuri Reta no ku bigo bibakira.

Turazi kandi ko ubufasha mpuzamakungu bwemera ivyo mujejwe. Ni co gituma akamo kacu atarako gusaba Ubuganda kwikorera bwonyene ingaruka n'amabi yo mu Burundi.

Dusaba ishirahamwe mpuzamakungu, HCR, n'ubumwe bwa Afirika yo mu buseruko hamwe n'abandi bafashanya n'Ubuganda gukomeza kubafasha kugira ngo ugukingira impunzi ntibibe umuzigo udatwarika ku gihugu cabakiriye.

Ariko dusaba cane cane mu cubahiro canyu ko mwogumizaho icatumye Ubuganda buba igihugu c'akarorero mu karere muvyerekeye kwakira neza ingenzi. Hariho rimwe rimwe n'ingingo zirengera intwaro muntumbero yo gufata ingendo yahozeho.

**IX.Akamo kanyuma: Ntimwugare imiryango**

**Nyakwubahwa mukuru w'igihugu,**

Abarundi bamaze guhunga kenshi mu bihugu bibanyi canke vya kure. Kuri bamwe Ubuganda uyu munsi ni umwe mu miryango icuguruye. Tubasavye rero,kw'izina ry'ingingo zikingira impunzi hamwe n'umutima w'amahoro wafashije ingendo za Arusha, ntimwugare uyo muryango wa nyuma.

Tubasavye gukora ibishoboka vyose kugira ntihagire umurundi n'umwe yirukanwa ajanwa ahantu ashobora kugira ingaruka mbi canke hakaba ihonyangwa canke amabi akomeye cane. Tubasavye kandi kubandanya kugira Ubuganda bugume ari akarere gakinga , kuganira hamwe n'icizere ku barundi nk'abandi banyagihugu bo mu karere.

Ubwanyuma, tubatumiriye mu cubahiro canyu nkuko muri Indongozi yisunga amategeko na poritike muhabwa nivyo mwakoze mu gihe c'ibiganiro, akigoro ko mu karere mu ntumbero yo gutora umuti urama ku ngorane z'Uburundi. Kubera umuti nyawo si ukwunguruza impunzi ziva mu gihugu zija mu kindi. Inyishu irama ni ugushiraho ivyotuma atamurundi numwe azosubira guhunga igihugu ciwe kugira akize agatwe.

LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME

"ITEKA" association sans but lucratif

*Agréée par l'ordonnance ministérielle n°530/0273 du 10 novembre 1994 revoyant l'ordonnance 550/ 029 du 6 février 1991*

*Membre affilié de la fédération Internationale des Ligues des Droits de l'Homme (F.I.D.H)*

Umuhari Iteka uremera ko icubahiro canyu,gikomeye kubwo uburambe mufise mukuba umuhuza,hamwe n'ivyo mwakoze muri kahise mu ntumbero yo kugarukana amahoro mu Burundi,mushobora kwumva aka kamo.

Tubasavye rero, Nyakubahwa Mukuru w'igihugu,kwakira aka kamo,nk'akamo ko gufatana mu nda muri Afirika hamwe n'ivyo mwari mujejwe mu myaka iheze.

Mukuridira inyishu ihumuriza,tubasavye kwakira ,Nyakubahwa Mukuru w'igihugu,ivyipfuzo vyacu mw'iteka ntangere.

Kubwo umuhari uharanira agateka ka zina muntu mu Burundi « Iteka »

**Anschaire NIKOYAGIZE,umurongozi waryo**

Ligue Burundaise des Droits de l'Homme Bujumbura Burundi ITEKA

**Umurongo wa terefone: +256701178261**

<u>Bimenyeshejwe:</u>

**- Komisariya y'ibihugu vyunze ubumwe mu kwitaho impunzi(HCR)**

**- Uwurongoye ishirahamwe ry'ubumwe bwa Afirika**

**- Umunyamabanga w'ishirahamwe rya Afirika y'ubuseruko**

**-Uwurongoye ishirahamwe rya Afirika riraba agateka ka zina muntu**

**-Ibiro vya komiseri mukuru w'ibihugu vyunze ubumwe ku gateka ka zina muntu**

**- Abo vyega baserukira ibihugu vyabo**

4, Avenue des Euphorbes, B.P.177 Bujumbura-Burundi, Tél. :(257) 22228636, Fax :(257)22220004
E-mail :info@ligue-iteka.bi, Website : https://www.ligue-iteka.bi

N° 021 /2026